UMUBU URABABAZA WIKINGIRE MU KURYAMA MU MUSEGETERA

6.None uwo musegetera Twowukoresha gute ?

a) Ingene bawumesura bakongera Bakawanikira.

.Twokwirinda kuwinika mu mazi atemba kuko umuti wogabanuka cane mu gutembana n'amazi.

.Twomesurira mu gikoresho co mu rugo(isafuriya,indobo...), amazi avuyemwo uyamijire mu nzu kuko ashobora kwica udukoko tumwe tumwe.

.Izuba ririca umuti uri mu musegetera. wanikire rero mu gitutu kandi Uwushanje, mbere bishobotse wowanikira ku buriri nyene kugira udukoko twobayo dushobore gupfa.

.Ntitukawanikire tuwenenetse kuko umuti uca uja uruhande rumwe

.Dushobora kuwumesura incuro 24 zose umuti utaravamwo

b)Twowumanika gute?

. Ambika imigozi mu mfuruka z'umusegetera.

. Shinga imisumani ine ku mpome z'icumba

. Pfundika iyo migozi kuri iyo misumani

. Orosha iyo migozi ku buryo umusegetera wururuka gushika aho ushobora kuwugobeka munsi y'ibisaswa.

PSI Burundi

SUPANET

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Ministère de la Santé Publique

USAID
FROM THE AMERICAN PEOPLE

1. SUPANET n”iki?

SUPANET ni umusegetera ukomeye, bikumvikana ko uramba. Abantu batari bake baramaze kuwubona. Abamaze kuwukoresha barawuhurumbira kubera bawushima.

2.Akamaro k'umusegetera SUPANET.

a) Urakinga imibu bigatuma abawuryamyemwo batarwara marariya kandi bagatekanirwa mu gatiro kabo.

b) Kubera bagira agatiro gatekanye,
. bituma bagira akaruhuko keza n’amagara meza, bugaca bafise ingoga zikwiye zo kurangura imirimo ya minsi yose.
c) Urimwo umuti umara igihe kirekire ico kikaba gishika ku myaka itanu, ivyo bigatuma abawukoresha atangorane bagira zo kwama baja gushirishamwo uwundi muti.
d) Uwuwuryamyemwo aronka akayaga gakwiye kubera ko ufise intoboro zagutse.
e) N'umusegetera wagutse kandi Uzimbutse.
g) Umuntu awuronkera aho Awukenereye kubera ko uri no mu mabutike.

3) Umusegetera SUPANET bawushimira iki?

Urimwo umuti umara igihe kirekire, ico kikaba gishika ku myaka itanu. Ivyo bituma awukoresha atangorane bagira zo kwama baja gushirihamwo uwundi muti. Uwuwuryama mwo aronka akayaga gakwiye kubera ufise intoboro zagutse. Ni umusegetera wagutse kandi uzimbutse.Umuntu awuronkera aho awukenereye kubera ko uri no mu mabutike.

4.Ni hehe twosanga SUPANET ?

Supanet tuyisanga mu bibanza bikurikira :

a) Mu mabutike ari mu micungararo yaho duherereye.
b) Mu mafarumasi atwegereye
c) Mu mavuriro atari make
d) Mu mashirahamwe y'abanyagihugu

5) Umusegetera SUPANET utangwa gute?

Amashirahamwe amwe amwe aratanga ibikoresho bimwe bimwe ku buntu n’imisegetera irimwo. Ariko ishirahamwe PSI rishima kuyitanga abanyagihugu batanze intererano ntoyi.

Muti none ni ukubera iki tubigenza gutyo ?

. Abarundi barayamaze bati:« ivya gusa bitera ubwenge buke ».
. Barongera kandi bati : “Amazi masabano ntamara imvyiro”.
. Nkuko tumaze kubibona abanyagihugu barakengera ibintu baronse kuri gusa, bigatuma babikoresha nabi canke ntibanabikoreshe.
. Hari abaronka imisegetera bakayikoresha mwo amaribaya, utujipo canke bakaja kuyirobesha, marariya yoyo ikabakirimbirako.
. Twomenya kandi ko n’ivyo usanga batanga kuri gusa hari aho abo babitanga bigira abanyagihugu bagasigara babarondera batakibabona
. Vyongeye, ivya gusa ntibishikira abavyifuza bose. Birakwiye rero ko nabo badashikirwa, boronka aho bikora.
. Ni co gituma PSI yashimye gutanga umusegetera ku mafaranga ibihumbi bibiri, kandi. Ico giciro kikaba cashinzwe n'abanyagihugu bo nyene.
. Abawudandaza bobo mbere baraharonkera n'amafaranga kuko bawurangura ku mafaranga igihumbi n'amajana atandatu 1600(Fbu), gutyo rero bagashobora kunguka amajana ane(400 Fbu) uko badandaje umusegetera umwe.